**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

**ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°7 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 07 RUHESHI 2023**

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 07 Ruheshi 2023 i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize icegeranyo c' ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yabaye kw'igenekerezo ya 02 Ruheshi 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'umugambi wo kugwiza uburaro,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe inyubako, ibikoresho n'ibikorwa vya Reta, no kugwiza uburaro**.**

Umugambi wo kugwiza uburaro watanguye kuva kera.
Kuva ku ntwaro y'abakoloni gushika mu myaka y'1979, abakozi ba Reta, cane cane ab'i Bujumbura, baba mu mazu batariha. Ayo mazu yaba arimwo ibikenewe vyose kandi akabungabungwa akongera agasanurwa na Reta. Ama karitiye yaratunganijwe n'amazu atandukanye arubakwa. Harageze igihe Reta irabona ko biyiremera, bitobandanya uko.

Kuva mu mwaka w' 1979 gushika mu mwaka w'1990, Reta yarahinduye ingene ibikora, ica itanga amazu ku bakozi bayo, igaca ibaha akarusho kajanye n'uburaro kangana n'ibice mirongo itandatu kw'ijana (60%) vy'umushahara, kugirango bashobore kuriha iyo nzu.

Kuva mu mwaka w'1990, harashizweho umugambi mushasha ufasha abakozi ba Reta kuronka uburaro. Ni muri iyo ntumbero amashirahamwe SIP na ECOSAT yashinzwe.

Kuva mu mwaka w' 1990 gushika mu mpera z'umwaka w'2022, haribonekeza amakaritiye mashasha avuka mu bibanza bitateguriwe kwubakwamwo amazu. Ibibanza biraronderwa cane,

mbere bikajamwo n'urudandazwa, kubera ko ivyo bibanza bitangwa n'ibisata vya Reta bidashobora gukwira abavyipfuza bose.

Uyu mugambi mushasha ushingiye kuri ibi bikurikira:

- Gutegura ibibanza vyo kwubakamwo amazu ageretse aho bishoboka, no mu matongo bidashobora gukorerwamwo uburimyi;
- Kuronsa umuntu inzu yubatse ashika yinjira, kugirango ntarazwe ishinga n'urwubako;
- Uburyo bugenewe muri uwo mugambi bwokurikiranwa neza n'Ibanki nkuru y'igihugu kugirango hakingwe ingorane zimwe zimwe ;
- Gutandukanya uruhara rw'uwo wese yegwa n'uwo mugambi ni ukuvuga Reta, abubakirwa amazu, abatanga uburyo, amashirahamwe yubaka, n'abandi biraba ;
- Gushiraho amategeko aherekeza uwo mugambi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, **yarawemeje**, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Gushira mu ngiro uwu mugambi mu gutanguza ibikorwa vyo kwubaka ayo mazu bidatevye;
- Mw'irangurwa ry'uwu mugambi, gukorana n'ishirahamwe REGIDESO kugirango ayo makaritiye mashasha azoronke amatara n'amazi ku rugero rukwiye ;
- Gushigikira uwu mugambi mukurondera abanyamitahe n'icemeza ko ideni rifashwe rizorihwa, biciye mw'Ibanki nkuru y'igihugu;
- Gukurikirana neza ingene imicafu iva mu mazu canke ahandi ishika iyo yagenewe;
- Kwubaka ayo mazu no mu Ntara zose z'igihugu;
- Kwubaka ayo mazu hisunzwe ibitigiri vy'abazisavye habanje kwihwezwa ko nyene gusaba iyo nzu afise ubushobozi bwo kuyishura;
- Amafaranga y'amabanki yagenewe imitahe akaba abitswe yofasha mw'irangurwa ry'uwu mugambi;
- Gufasha igisagara ca Bujumbura gukura imicafu mu gisagara;
- Gusuzuma ko amazu yo mu ma Karitiye amwe amwe ya Ngagara nka Karitiye ya Gatandatu yarishwe yose ;
- Umushikiranganananji ajejwe iterambere rusangi yotegura ishusho ry'ibigwati vyokwubaka, hisunzwe ubushobozi bw'abenegihugu.

2. **Urwandiko rwerekana umugambi wo kwubaka uburaro mu bibanza vya KIZINGWE-BIHARA na SOCARTI,** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe inyubako, ibikoresho n'ibikorwa vya Reta no kugwiza uburaro**.**

Uwo mugambi wo kugwiza uburaro utangujwe, haheze igihe kirekire higaragaza ironderwa ry'ibibanza vyo kwubakamwo amazu riteye ubwoba, mbere bikajamwo n'urudandazwa, kubera ko ivyo bibanza bitangwa n'ibisata vya Reta, bidashobora gukwira abavyipfuza bose.

N'abifise basigaye baja kurondera ibibanza mu bice biri hirya y'igisagara bitateguriwe kwubakwamwo, kubera izo mvo nyene. Ahanini, biteye amakenga cane cane micungararo y'igisagara ca Bujumbura, bigashobora gutuma n'amatongo yo kurimamwo yo mu kiyaya c'Imbo ahera.

Ukwo kwaga kw'amatongo yo kurimamwo be n'igwirirana ry'abantu bisaba ko higwa ubundi buryo bwo gutunganya ibibanza mu gisagara.

Ikigiye gukorwa, n'iyubakwa ry'amazu ageretse aho bishoboka, no mu bibanza bidashobora gukorerwamwo uburimyi.

Uyu mugambi rero ufise ihangiro ryo kwubaka amazu ibihumbi bitanu(5000) ku kibanza ca KIZINGWE-BIHARA, aho hari hategekanijwe ko hazohabwa abantu amajana atandatu (600) gusa. Mu gutegura ico kibanza gifise uburinganire bwa hegitari amajana atatu (300), Reta yabifatanije na bene amatongo, bakaba bazoronswa ibice mirongo itanu na bitatu kw'ijana (53%), Reta nayo ikaronka ibice mirongo ine n'indwi kw'ijana (47%) bisigaye.

Mu kibanza ca SOCARTI, hazokwubakwa amazu igihumbi n'amajana atandatu (1.600).

Igiciro c'ayo mazu kizovana n'ingene anganangana kuko azoba asumbasumbana.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza uwo mugambi, **yarawushimye ica irawushigikira,** ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Kubera aho ikibanza ca KIZINGWE- BIHARA kiri, gukora ibishoboka kugirango amazi azovayo ntazotware canke ngo abangamire amazu yubatswe mu NYABUGETE ;
- Kubera imico y'Abarundi bamenyereye kwibana umwe umwe wese ukwiwe, bizosaba kwigisha ibijanye n'isuku abazoba muri ayo mazu ageretse abamwo benshi, no gufata ingingo mperekeza zikenewe.

3. **Integuro y'amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi n'Ishengero Methodiste ryiyunze mu vyerekeye inyigisho,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Kubera impinduka nyinshi zabaye mu bijanye n'inyigisho mu Burundi, zikaba ziri mu mabwirizwa n'amategeko ayashira mu ngiro, vyabaye nkenerwa ko amasezerano ajanye n'ingene Reta n'amashengero bakorana mu bijanye n'inyigisho mu mashure zoshirwa ku gihe, hafatiwe kandi no kuvyapfunditswe mu nama rukokoma ku bijanye n'indero.

Igikorwa co gusubiramwo amasezerano hagati ya Reta n'amashengero ku bijanye n'inyigisho casanze hakenewe gushirwaho amasezerano y'ifatiro hagati y'amashengero na Reta, yerekana n'ingene yoheza agashirwa mu ngiro.

Iyi nteguro y'amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi n'ishengero Methodiste ryiyunze mu bijanye n'inyigisho yisunga rero ayo masezerano y'ifatiro.

Iyi nteguro yongera kwemeza ko Ishengero Methodiste ryiyunze rifise uburenganzira bwo gutunganya icigwa nyigishamana, ariko rikubahiriza ukwemera kw'umwe umwe wese mu mashule rijejwe. Iyi nteguro iremeza kandi ko ayo mashule akurikiza inyigisho zo mu mashule ya Reta, kandi akayoborwa hisunzwe amategeko agenga amashule ya Reta, kiretse ibindi vyoba biri muri aya masezerano. Iyi nteguro irerekana intererano y'ishengero Methodiste ryiyunze mu guteza imbere inyigisho, mu bijanye n'ibikoresho n'uburyo bundi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyi nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Gushiramwo ingingo itomora ko ishule risubira mu minwe ya Reta mu gihe iryo shengero ridashoboye gushitsa ivyo ryiyemeje;
- Gushiramwo ingingo ivuga ko itongo ryatanzwe na Reta kugirango iryo shengero riryubakemwo ishule riguma ari irya Reta;
- Gusuzuma amasezerano yose yabaye ku bijanye n'amatongo mu ntumbero yo kuraba ko ariko akoreshwa ico yasabiwe ;
- Gusubiza mu minwe ya Reta amatongo yatanzwe hanyuma ntiyakoreshwa ico yasabiwe, hanyuma aheze aronswe amakoperative;
- Kudatanga impapuro ndangatongo ku matongo atanzwe ngo arangurirwemwo ibikorwa bijanye n'ivyimibano.

4. **Integuro y'itegeko rishira ku rutonde ubuzi bwa Reta no kubuha amanota bikwiranye, n'urwandiko rujanye n'ishirwa mu ngiro ry'umugambi wo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara mu bisata bigengwa n'amategeko vyisangije, v**yashikirijwe n'umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi**.**

Umugambi w'igihugu usubiramwo itunganywa ry'ubuzi bwa Reta wemejwe mu mwaka w'2012 warategekanije itondekwa ryiza ry'ubuzi bwa Reta no kubuha amanota bikwiranye,ubuzi bufise ico buhurirako bukaja mu murwi umwe.

Ico gikorwa gifise amahangiro abiri, ariyo y'aya akurikira:

- Kwerekana neza ubuzi ubw'aribwo, ubumenyi busabwa ku kazi kose be n'utwigoro akazi kose gasaba, kugirango umuntu aje mu kibanza bikwiranye kandi azi ico agiye gukora.
- Kuraba ingene ubuzi busumbasumbana kugirango hashingwe imishahara bikwiranye.

Iyi nteguro ije :

- Gushira ku rutonde ubuzi bwa Reta no kwerekana ingene busumbasumbana;
- Kwerekana ibikurikizwa mu gushira ku rutonde ubwo buzi n'ivyisungwa mu guha ijunja canke amanota akazi;
- Kwerekana ibiva mur'iryo tondekwa ry'ubuzi.

Ku bijanye n'urwandiko rujanye n'ishirwa mu ngiro ry'umugambi wo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara mu bisata bigengwa n'amategeko vyisangije, urwo rwandiko rwerekana:

- Ubusumbasumbane buri mw'ishingwa ry'imishahara y'abakozi n'ingene baduga mu kazi ku mwaka ku mwaka;
- Ubusumbasumbane buva kw'iduga mu kazi ku mwaka ku mwaka;
- Ubusumbasumbane buva k'ukugene baduzwa;
- Ubusumbasumbane buva ku burusho butandukanye.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje,** ivyashikirijwe na vyo ni ibi bikurikira:

- Kwandika neza umutwe w'iyo nteguro bikaboneka ko yerekeye ubuzi bwa Reta;
- Ibisata bigengwa n'amategeko vyisangije be n'amashirahamwe ya Reta asabwa gushira mu ngiro umugambi wo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara hisunzwe uburyo bushasha bwo kuyiharura hafatiwe ku rupapuro rw'umutsindo n'akazi umuntu akora hanyuma babishikirize ababijejwe;
- Kuraba neza ko gushira ubuzi ku rutonde no kubuha amanota vyakozwe neza kuko bidakozwe neza vyogarukana kandi ubusumbasumbane mu mishahara;
- Gusubiramwo igitabu c'amategeko agenga amashiramwe yigenga n'ayo Reta ifisemwo imitahe, kugirango ayo Reta ifisemwo umutahe ashirwe ku rugero rumwe, gurtyo biheze

vyorohe gukuraho ubusumbasumbane mu mishahara. Ariko mu kurindira, ishirahamwe rivyipfuza rirashobora kuba rirakoresha ubwo buryo bushasha bwo guharura imishahara.

5. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n° 100/171 ryo ku wa 30 Nyakanga 2009 rishinga urugero rw'aho umukozi atangurira mu kazi n'ingene ahembwa,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi.

Amategeko agenga abakozi ba Reta arashiramwo bishasha mu bijanye n'ingene akazi ka Reta gatangwa n'ingene amapete aduga mu kazi.

Ariko hafashwe ingingo y'uko muri iki gihe igicapo c'ingene umushahara uharurwa kuva umukozi agitangura akazi n'ingene agenda araduga n'urugero rw'aho atangurira akazi bitohinduka.

Naho biri uko, iryo tegeko ririmwo izindi ngingo zimwe zimwe zikwiye guhinduka kuko zitajanye n'ayo mategeko mashasha agenga abakozi ba Reta.

Iyi nteguro rero igumizaho urugero rw'aho umukozi atangurira mu kazi n'ingene ahembwa, ariko igakuramwo ugutandukanya abigisha n'abatari abigisha. Irongera kandi igakuramwo ingingo zerekeye abigisha bonyene.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyi nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Ku bijanye n'impapuro z'umutsindo, gukoresha amazina yazo y'ubu, ariko hagatomorwa n'ubungane buhari ugereranije n'iza kera;
- Kuraba neza ko iyi nteguro yerekeye imirwi yose y'abakozi ba Reta ;
- Kugira icigwa co kuraba abigisha bahari n'igitigiri c'abanyeshule, be n'amashule ahari ugereranije n'abanyeshule bahari, gurtyo haboneke neza abigisha bakenewe.

6. **Urwandiko rujanye n'ikibazo c'iyimbura n'idandazwa ry'isukari mw'ishirahamwe SOSUMO,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi .

Ishirahamwe SOSUMO ryimbura ku mwaka amatoni y'isukari agera ku bihumbi mirongo ibiri (20 000). Iyo sukari ntikwiye uravye abayikeneye, kuko ku mwaka haba hakenewe iyigera ku matoni ibihumbi mirongo itatu na bitandatu (36 000), kandi biguma biduga. Ishirahamwe SOSUMO ribwirizwa kurondera isukari hanze y'igihugu kugirango abayikeneye bose bakwirwe.

Ibiciro bihari ubu vyashinzwe muri Ntwarante mu mwaka w' 2017, bikaba bitacemerera SOSUMO kuriha ivya nkenerwa.

Kubera ko uburyo kibukura mw'idandazwa ry'isukari, iyo ibiciro vy'ibikenerwa mw'ihingurwa ry'isukari biduze, bigira ingaruka mbi ku buzima bw'iryo shirahamwe.

Kubera ko ibijanye n'ivunjwa ry'amahera vyasubiwemwo, ubu SOSUMO idandanza isukari yaranguriye hanze ihomba, ivyo bigashobora gutuma iryo shirahamwe ryugara hamwe atacokorwa n'ingoga.

Mu ntumbero yo gutorera umuti ico kibazo, uru rwandiko rushikiriza ibintu bibiri bishobora gukorwa :

1° Kuduza igiciro c'isukari ;
2° Guhebera SOSUMO amatagisi yahora iriha.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yasanze **vyumvikana** ko igiciro c'isukari cosubirwamwo, ariko ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Gusubiramwo neza ibiharuro mu kwerekana ico isukari yimburwa aha mu gihugu yinjiza be n'ico iyirangurwa hanze y'igihugu isaba, kugirango hashingwe igiciro cumvikana ;
- Kwerekana ibikenerwa mw'ihingura ry'isukari aha mu gihugu kugirango haboneke ico ikilo c'isukari gisaba (coût de production);
- Kugira icirwa kijanye n'ingaruka zatumwe no gusubiramwo ingene amahera mvamakungu avunjwa, kugirango gishikirizwe abafashanya n'Uburundi.

## 7. Utuntu n'utundi

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje ko umwimbu w'uyu mwaka w'uburimyi wagenze neza.

  Yaciye amenyesha n'ingingo zafashwe kugirango uwo mwimbu ntusesagurwe.
  Yasavye umushikiranganji ajejwe ubudandaji, uwujejwe uburimyi, n'uwujejwe intwaro yo hagati mu gihugu kuja hamwe bige igiciro coshingwa ku biharage, kugirango umurimyi ntakore ahomba.
  Yaciye anasaba ishirahamwe ANAGESSA gushiraho ikigega c'integabizoza c'ibiharage.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaciye asaba kandi umushikiranganji ajejwe uburimyi gusubiramwo igiciro c'icayi, kugirango umurimyi aronke impembo imukwiye nk'uko vyabaye ku giterwa c'ikawa.

- Yaribukije abashikiranganji guhimiriza abenegihugu kwijukira kuvomera imirima muri iki gihe c'ici, n'uko urugo rwose rwogira akarima ko muci, mu ntumbero yo kurwanya inzara.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje abashikiranganji ko mu gihugu ibintu bimeze neza, ikibazo kikigoranye kikaba ari ic'ubutungane kuko abenegihugu bose aribwo bidogera, ariko ko umuti waco ugiye gutorwa vuba.

- Mu gusozera inama, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarashimiye abashikiranganji, kuko kubona ubu igihugu kigenderwa cane, n'abafashanya n'Uburundi bakaba babona iyo kiriko kiraja kandi bakaba bagifitiye n'icizere, bikeshwa ibikorwa abashikiranganji barangura.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 08 Ruheshi 2023

Umunyabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvuguzi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE